# Mu vy'ukuri, Imana Allah Yarashinze amabwirizwa ategerezwa kwubahirizwa "faradwi", ntimukayirengagize; Yarashinze n'ingingo mpanavyaha "huduudu", ntimukazirengeko; Yaranaziririje ibintu bitarekuwe gukorwa "haraamu", ntimukabivogere; Iraheza Ireka gushinga ingingo n'imwe ku bintu bimwebimwe mu ntumbero yo kubagirira impuhwe, maze Ibigira ukwo bidatewe n'ukwibagira; ntimukarondere rero kumenya ingingo zivyerekeye

Mu vyakirwe na Abu Tha'laba Al-Khushaniy Jurthuumu mwene Naashiri (Imana Allah Imwishimire) ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Mu vy'ukuri, Imana Allah Yarashinze amabwirizwa ategerezwa kwubahirizwa "faradwi", ntimukayirengagize; Yarashinze n'ingingo mpanavyaha "huduudu", ntimukazirengeko; Yaranaziririje ibintu bitarekuwe gukorwa "haraamu", ntimukabivogere; Iraheza Ireka gushinga ingingo n'imwe ku bintu bimwebimwe mu ntumbero yo kubagirira impuhwe, maze Ibigira ukwo bidatewe n'ukwibagira; ntimukarondere rero kumenya ingingo zivyerekeye".

[قال النووي: حديث حسن] [رواه الدارقطني في سننه وغيره]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaravuze ko Imana Allah Yashinze amabwirizwa ategerezwa kwubahirizwa, murayubahiriza rero ata kuyirengagiza ngo muyareke canke ngo muyadebukirweko; Yaranashinze ingingo ntarengwa zihana zigahasha uwurenze ku vyo Idashima ko mwokora, ntimukazirengeko mu kwishingira ingingo zanyu; Yaranaziririje ibitarekuwe gukorwa, ntimukavyegere ngo mubikore. Ibitari ivyo bidondaguwe rero, nyabuna Yararetse kugira ico Ibivuzeko mu ntumbero yo kugirira impuhwe abaja bayo, maze biguma muri kamere kavyo ko kuba bitabujijwe, ntimugahirahire rero ngo murondere kumenya ingingo zivyerekeye.